Igisata c'Indero i NSW

NSW GOVERNMENT

**School counselling service**

Information for parents and carers

# Urwego rw'Ishure rw'Uguhanura

## Ibiményēshejwe abavyêyi n'ábarezi

Amashure yöse ya Reta i NSW atanga ubufashá ndóranyîfato biciye mu rwego rw'ishure rw'uguhanura.

Urwego rw'ishure rw'uguhanura rugizwe n'abahanuzi b'ishure n'abahinga b'ishure mu nyifato, ubufashá mu mwihwezo n'úbutabāzi ndóranyîfato ku banyeshure bakimenyerezwa kugeza ku bafise imyaka 12. Bafashanya n'ímiryāngo, abakózi b'ámashȗre, hamwe n'abandi bahinga mu gushigikira ukwiga, amagará yó mu mutwé n'ukugubwa neza kw'abanyeshure, no kurema ibibanza vyo kwigiramwo bitekanye, bikingiwe, bishigikirana.

Abahanuzi b'amashure bose bafise indangabumenyi kaminuza zo ku rwego rwo hejuru kandi bakoresha ubuhinga karuhariwe bwabo ku magará yo mu mutwé, ukwiga n'inyifato kubwo gufasha urwaruka kumenya mu vyigwa, mu mibâno, mu nyifato nó mu bigûmbagûmba.

Umuhanuzi canke umuhinga mu nyifato w'ishure ashobora:

- guhá impanuro abanyeshure
- gusuzuma ukwiga kw'abanyeshure n'ivyo bakeneye mu bijanye n'amagara yo mu mutwé
- gukorana mu bumwe n'abigisha hamwe n'abakozi b'abahinga
- gufasha imiryango gutahura n'úkubûngabūnga abâna bâbo mu bijane n'ukwiga n'ivyo bakeneye mu magará yabo yó mu mutwé
- kubahuza n'ámashírahámwe yo hanze n'abahinga mu magará yo mu mutwé ngo batange ugushígikirwa gutunganijwe, kugenewe abâna babukenéye umwe wese ukwîwé.

Mu gukórana n'abanyeshure, abavyêyi canke abarezi, hamwe n'abigisha, abakózi b'ishure bajejwe guhanūra bazosobanura ukó bakorá, bumvirize mu bwitônzi ibivúgwa, bafashé gutōmōra amahitamwo banatere umwete wo gufata ingingo zītôndewe.

## Ugukorana ibanga

Abakózi b'ishure bajējwé guhanūra baha ubufashá abayeshure mu nyîfato ku gushaka kandi mw'ibanga. Amakuru y'ibanga ntazovugwa umunyêshȗre atabitangiye uruhusha, rw'umuvyeyi canke umurezi kiretse bisabwe n'amategeko canke ku mvo zogukinga impanuka zobangamira umutekano n'amagara.

## Abo Kwitura

Ibishímikirwakó ku vyerekeye ugushígikirwa gutangwa n'ishure bitomorwa kubwo ugufashanya n'imigwi yitaho ivyigwa kw'ishure n'iyijejwe ineza. Abavyêyi canke abarezi bitayeho indero y'abana babo amagará meza yo mu mutwé n'ukumererwa neza kwabo bosaba umubonano mu kuvugana n'ishure. Abanyeshure na bo bokwizana cake bagafashwa n'abavyeyi canke abîgīsha mu gusaba umubónano.

## Ubufasha mu Nsobanuro

Asangwa ukeneye ayadi makuru, igore uhamagare ishure. Ukéneye umusóbānuzi ngo agufashe mu vyo usaba, hamagara Abasobanuzi ku nomero 131 450 usabé umusobanuzi w'ururimi usanzwe uvúga.

Bwira umuhinga inomero ugomba guhamagara maze uwo muhinga azokuronkera umusobanuzi ku bihinga bwa none agufashe mu kiyango. Ntuzorishishwa kubwó ivyo.